Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°827 15 Munyonyo 2024

# Igisabisho c'umworo kirashikira Imana

## (Mwene Siraki 21,5)



*Mu nyigisho ya Papa Fransisko yo ku munsi ugira 8 wahariwe aboro, ku munsi w'Umukaka ugira 33 wo mu mwaka, agira ati:*

Bavukanyi mwese nkunda

***Igisabisho c'umworo kirashikira Imana*** (Mwene Siraki 21,5).

1. Muri uyu mwaka wahariwe gusabira Yubire isanzwe y'imyaka 2025 y'Ekleziya, iryo jambo rirarashe rwose ngo ridufashe kwitegurira umusi ugira umunani Mpuzamakungu wahariwe aboro. Uzohimbazwa ku wa 17/11/2024.

Ukwizigira rukristu kuraduha umwizero ko igisabisho cacu gishikira imbere y'inyonga z'Imana ; yamara si igisabisho c'uwari we wese : ni igisabisho c'umworo ! Reka tuzirikane iryo jambo, maze mbere tunarisome mu maso no mu buzima bw'aboro duhwana imisi yose ngo igisabisho cacu

Soma ku Rup. 2

# Akarere k'Uburundi, Urwanda na Congo, kahagurukiye amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme



Foto: Chanel HARINGANJI

Soma ku Rup. 12

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Ibirimwo

o Umugwi CVR waraye utanguje intambwe nshasha yo kumenya abantu bagandaguwe kuva mu 1972......7

o Mbega amagara yo mu mutwe arabaho?......8

o Abihebeyimana mu rugamba rwo kuremesha amahoro......9

o Ingene amategeko yubahiriza uburenganzira bw'abagendana ubumuga......10

# Idominika ya mirongo 33: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Danieli 12,1-3*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Danieli:

«*Izuka ry'abapfuye*»

Jewe Danieli, numvise iri jambo ry'Umukama: «Umusi umwe, Mikaeli, umukuru w'abamarayika, azohaguruka; ni we ahagarikiye igihugu canyu. Hazoba urwimo rutari bwaboneke kuva aho intara zibereyeho. Ariko ico gihe, igihugu canyu kizorokoka, ni ukuvuga abanditswe bose mu gitabu c'Imana.

Benshi mu bazoba basinziriye mu kuzimu bazokwikangura, bamwe bikangurire ubuzima bwamaho, abandi bikangurire kumaramara no guteterwa imyaka n'imyaka.

Abitonzi bazosayangana nk'izuba ryo ku mutaga; abazoba babaye intungane mu makungu bazoca ibibatsi nk'inyenyeri imyaka n'imyaka.»

## Igisomwa ca kabiri: *Abahebereyi 10,11-14-18*

Ivyo dusoma mw'ikete ryandikiwe Abahebreyi:

«*Yezu Kristu yarahereje inkuka imwe rudende*»

Ncuti zanje:
Mw'isezerano rya kera, umuherezankuka wese yahora aja gusenga mu gisengero; inkuka atasiba guhereza zama ari za zindi, kandi ntizishobore gukura ibicumuro namba.
Ariko Yezu Kristu We, aho amariye guhereza inkuka imwe rudende y'ibicumuro, yaciye avyagira iburyo bw'Imana ubutakihava, arorereye igihe abansi biwe bazoshirwa munsi y'ibirenge vyiwe bamubere intebe.
Erega, iyo nkuka imwe rudende ni yo yatumye abemeye kugabirwa na we ubweranda, bagashikira ubutungane ubutacisubirako. Iyo ikigongwe kibonetse, nta nkuka y'ibicumuro iba igikenewe.

## Inkuru nziza *: Mariko :* 13,24-32

**Alleluya! Alleluya!**

*Nimwame mugavye, musabe imisi yose, kugira ngo mushobore guseruka imbere y'Umwana w'umuntu.*

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Mariko:

«*Muzohona Umwana w'Umuntu aje mu bicu*»

Umusi umwe, Yezu yabariye abigishwa biwe ati: «Muri nya misi, ayo marushwa mvuze ahavuye, izuba rizodegera, ukwezi ntikuzoba kukibonesha, inyenyeri zizokoragurika, ziva kw'ijuru, ububasha bw'ijuru buzonyiganyiga.

Ni ho rero muzobona Umwana w'umuntu aje mu bicu afise inganji n'ubuninahazwa bwinshi. Azoheza arungike abamalayika biwe gukoranya abatowe mu nkiko zose z'isi, iyo isi n'ijuru biva bikagera hose.

Igiti c'umutenahi cobibagereraniriza. Iyo amashami yaco atoshe, amababi akanaga, muca mumenya ko iremba riri hafi. Ni ko kw'uko, ni mwabona ivyo vyose bishitse, muramenya ko Umwana w'umuntu yashitse, ari kw'irembo.

Ni ukuri ndabibabariye, uru rwaruka ntiruzohera, ivyo vyose bitaraba. Ijuru n'isi bizoteba bihere, yamara amajambo yanje ntazohera. Ariko umusi wa rwo be n'isaha, nta n'umwe awuzi, nta n'abamarayika bari mw'ijuru, nta na Mwana nyene, Data musa ni we abizi.»

# Igisabisho c'umworo kirashikira Imana

**(Mwene Siraki 21,5)**

*(Bitangurira ku rup.1*

gicike inzira yo kunywana no gusangira na bo amagorwa.

2. Igitabu ca Mwene Siraki, turiko turazirikana, ntikizwi na benshi ; ni co gituma hageze kwubura uburiba bw'ivyiyumviro gishikiriza, na cane cane iyo bijanye n'imigenderanire y'umuntu n'Imana hamwe n'isi ari ko.

Umwanditsi waco, Mwene Siraki, ni umwigisha, umwanditsi yaba i Yeruzalemu, kandi ashobora kuba yacanditse mu kinjana ca kabiri imbere y'ivuka rya Yezu. Ni umuntu w'ubwitonzi, yanyuzwe n'imico n'imigenzo yo mu gihugu ciwe ca Israyeri, akigisha mu mpande nyinshi z'ubuzima bw'umuntu : ibikorwa mu mu muryango, ubuzima mu kibano, indero y'urwaruka; aritwararika kandi ibibazo bijanye n'ukwemera Imana be n'ivyo kuyigandukira mu kugendera amateka n'amategeko.

Ntatinya kwihanga ibibazo bikomeye bifatiye ku mwidegemvyo, inabi n'ubutungane buva ku

# Igisabisho c'umworo kirashikira Imana

**(Mwene Siraki 21,5)**

(Bitangurira ku rup.2

Mana. Ivyo bikaba ari ibibazo vy'ubu no kuri twebwe nyene. Mwene Siraki, amurikiwe na Mutima Mweranda, atumbereye gushikiriza abantu bose inzira nziza kandi ibereye imbere y'Imana n'abavukanyi.

3. Kimwe mu vyiyumviro uyo mwanditsi mweranda ashingira ko ni igisabisho. Abigirana umwete n'ishaka bidasanzwe kuko ashikiriza uko we nyene abibayemwo. Nkako, nta gisabisho na kimwe coba ngirakamaro kandi ngo gitange ivyamwa kitavuye ku buzima bw'abemera guhanga inyonga z'Imana no kumviriza ijambo ryayo. Mwene Siraki aremeza neza ko yarondeye ubwitonzi kuva mu buto bwiwe : « Aho nari nkiri muto, ntarata inzira, nararonderera ubwitonzi mu gisabisho bikagaragara » ( Mwene Siraki 51,13).

4. Mu rugendo rwiwe rw'ubuzima, yarubuye ikintu kimwe gihambaye gifatiye kw'ijambo ry'Imana. Ni uko aboro bafise ikibanza kidasanzwe mu mutima w'Imana ku buryo, imbere y'amaganya yabo, Imana ishirwa ibatunganirije: « Igisabisho c'uwicisha bugufi kirarengana ibicu, ntashirwa kidashitse iyo kija. Ahozako gushika Rudasumbwa amurasaneko, atunganirize intungane, ace urubanza» ( Mwene Siraki 35, 17-18).

Imana irazi neza amakuba y'abana bayo kuko ni umuvyeyi arangwa no kwitwararika gutabara bose.

Nk'umuvyeyi, ishira imbere kurasana ku baruhijwe, bamukeneye gusumba abandi : abarushwa, impahazwa, abababara, abibagiwe..Kandi nta numwe akumiriwe mu mutima wiwe kuko imbere yiwe twese turi aboro. Twese turi bakene cane, kuko tutari kumwe n'Imana, ubwacu bwoba buheze.

Nta n'ubuzima tworonse iyo Imana iba itarabutugabiye. Yamara ni kangahe bishika tukigenza nk'abagaba bakaganza ubuzima ukamengo tugomba kubwihagira ! Ivyiyumviro vy'abantu b'isi ya none bishira imbere itunga, vyanka vyakunda, nk'inzira yo kwiyumva no kwiyemera mu buzima bwa none, n'aho vyoshika bagahonyanga n'amategeko agenga imibano.

Mbega uruhumyi ! Ubuhirwe ntibabushikira biciye mu guhanyanga agateka k'abandi.

5. Amabi akomoka ku ntambara arerekana neza na neza ingene ukwiyemera ari ko kurongora abo bose bifata nk'ibihangange imbere y'abantu, kandi ataco bari mu maso y'Imana.

Ntawoharura aboro b'ubu bavyawe n'ugutunganya nabi intwaro ishimikiye ku birwanisho, maze bigahitana abantu b'intungane. N'aho biri uko, ntidushobora guhesha ngo dusubize umugongo inyuma.

Abigishwa b'Umukama bose barazi neza ko umwe wese muri abo batobato afise agashusho k'Umwana w'Imana ku buryo ugushikirana kwacu be n'ikimenyetso c'urukundo rukristu bitegerezwa gushikira umw'umwe : «Umukristu wese n'umubano bahamagariwe kuba ibikoresho vy'Imana kugira tubohore, duteze imbere aboro bacu ku buryo baheza bagasubira kwiyumva rwose mu buzima bw'ikibano ; ivyo rero bidusaba kwama twiteguriye gutega yompi amaborogo y'umukene no kumutabara »

6. Muri uyu mwaka wahariwe igisabisho, dutegerezwa kugira rwacu igisabisho c'aboro kandi tukagisangira. Ni ko ni amananiza mugabo dutegerezwa kuyarengera ari nako hashigikirwa icokorwa mu ndinganizo y'ubutumwa. Nkako, « igihanze abarushwa gusumba ibindi ni uko kutabazirikana mu mutima wacu w'ukwemera. Aboro batari bake barangwa n'ukwemera ; barakeneye Imana ku buryo tudashobora kwirengagiza kubashikiriza ubwo bucuti bw'Imana, umuhezagiro wayo, Ijambo ryayo, uguhimbaza amasakramentu be no kubatumirira gusangira urugendo rubakuza kandi rugakomeza ukwemera.

Uguha ikibanza ca mbere aboro bitegerezwa kujana rwose no kubitwararika bidasanzwe kandi kukaza imbere y'ibindi vyose »

Ivyo rero bisaba umutima uca bugufi urangwa n'ubutwari bwo kwigira umworo ashera. Ni umutima witeguriye kwibuka ko umuntu ari mworo na mukene. Erega burya hariho isano rikomeye hagati y'ubworo, uguca bugufi no kwizigira.

Umworo nya mworo aca bugufi, nkuko Umweranda Ogustino abivuga agira ati: « Umworo ntaco afise comutuma yiduza ; ariko mu mutunzi hoho hama intambara. None nuntege ugutwi. Emera kuba mukene, ukunde Imana, uce bugufi » (Sermon 14, 4).

Ncabugufi ntakeneye kwishira hejuru canke kwiyemera, arazi ko adashobora kwironkera vyose, mugabo aremera rwose ko, nk'umwana w'igishushungwe yigaye, agarutse mu muryango ngo yirekurire mu maboko y'umuvyeyi (cf. Lc 15, 11-24), ashobora kwirukira urukundo rwuzuye ikigongwe c'Imana.

Kubera ko umworo ata yandi mizero yishimikije, araharonkera inkomezi z'Imana zimutuma ashira umwizero wiwe wose muri Yo. Nkako, uguca bugufi kuduha gushira umwizero wose mu Mana itarota iduheba kuko yumva ikongera ikishura.

**Biracaza**

*Vyahinduwe mu Kirundi n'igisata gishinzwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana*

# Akarere k'Uburundi, Urwanda na Kongo, kahagurukiye amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme

Mu ntumbero yo kurimbura igice ca mbere c'ibikorwa kigiye kurangira, kuva kw'igenekerezo rya 5 gushika kw'igenekerezo rya 7 Munyonyo 2024, mu nyubakwa z'inama y'Abepiskopi Gatorika b'i Burundi ziri i Kiriri, harakoniye inama idasanzwe yahuje abagize komite ijejwe gukurikiranira hagufi ibibazo biterwa n'amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme mu ngo hamwe no ku kazi, muri ivyo bihugu kuva mu mwaka wa 2022 gushika muri uyu mwaka wa 2024.

Bimwe mu vyihwejwe, harimwo kuraba ko ingingo bari bihaye kugenderako muri ico kiringo ko zagiye mu ngiro, baciye basanga muri ivyo bihugu vyararanguwe ku rugero rushimishije, kuko harashizweho amakomite yiga kuri ivyo bibazo mu madiyoseze yose. Haratanzwe kandi n'inyigisho zitari nke z'ingene abakenyezi n'abigeme, abasore n'abagabo bokwigenza.

Ivyo bikaba vyarabaye kirumara kuko vyaratumye habaho ama biro ku maparuwase atari make yo kumviriza abahuye n'izo nkorane z'amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme.

Bararabiye hamwe kandi ibijanye n'aho bokura uburyo bazokoresha mu gice ca 2 c'uwo mugambi uzotangura mu mwaka wa 2025 gushika mu 2028, baciye basanga hakwiye gushirwaho komite ijejwe kwiga ico kibazo batarabiye aho baherereye gusa.



Foto: Chanel HARINGANJI

Ico cifuzo kikaba carashigikiwe n'abasanzwe bafashe mu mugongo uwo mugambi ariyo caritas y'igihugu c'Ubufaransa, baranabemerera ko bazobafasha muri ico gikorwa co kurondera uburyo.

Ikindi barabiye hamwe muri iyo nama idasanzwe, n'ikijanye n'uburongozi kuko uwarasanzwe arongoye uwo mugambi yari Helena Henry aturuka mu gihugu c'Ubufaransa ariko akaba aherutse kwizerwa n'ishirahamwe rya caritas y'Ubufaransa.

Ni muri iyo ntumbero yaciye hatorwa izindi nzego nshasha zigizwe n'umunyarwandakazi umwe hamwe n'abakongomani 2.

Mu misi iza, hakaba hategekanijwe ko bakora ikibazo kugira hashobore kuvamwo umwe azoca atunganya ivyo bikorwa vy'igice ca 2 bikurikira.

***None mu gice ca kabiri c'uwo mugambi, hazorangurwa iki?***

Muri ico gice ca 2 c'uwo mugambi, bazonoganza cane ivyari vyaranguwe mu gice ca mbere kugira bashike aho batari bashitse. Ivyo navyo ni amabi akorewa abakenyezi n'abigeme mu ngo hamwe no ku kazi.

Bazoshiraho kandi politike yo gukinga ayo mabi akunda gushikira abakenyezi n'abigeme.

Ivyo birangiye baciye bategura urupapuro rw'inzira ari narwo rubaha intumbero y'ibikorwa vy'ico gice ca kabiri.

Patiri Simeon Nibaruta arongoye igisata c'ubutungane n'amahoro muri diyoseze Bubanza,



Foto: Chanel HARINGANJI

akaba ari umwe mubari bitavye iyo nama, avuga ko kuba muri iyo nama vyamubereye kirumara cane kuko yamwuguruye amaso araheza arabona ingene muri ivyo bihugu bibanyi vyifashe. Ivyo bikaba vyamuhaye izindi nguvu zo kurwanya ayo mabi aho aherereye afashanije n'abandi basangiye urwo rugamba.

Kugira ashike ku ntumbero yihaye, avuga ko agiye kwagura ico gisata mu gushiraho ibindi bisata bitobito, aho igisata c'abakenyezi kizoba gifise umukenyezi agitwara.

Ikindi kigiye gushirwa imbere, n'uko amaparuwase yo muri diyoseze Bubanza ahana imbibe n'ivyo bihugu vy'Urwanda na Kongo agiye gushirwa imbere mu bijanye n'imigenderanire y'abakenyezi b'ivyo bihugu mu ntumbero yo guhanahana ivyiyumviro kuri ico kibazo kibahanze mu buryo budasanzwe.

Mwomenya ko muri iyo nama ivyo bihugu vyari vyaserukiwe n'abantu batatu batatu, Uburundi nabwo bwari bwaserukiwe na patiri Martino Sinumvayaha arongoye igisata c'ubutungane n'amahoro muri diyoseze Ngozi, Patiri Simeon Nibaruta arongoye igisata c'ubutungane n'amahoro muri diyoseze Bubanza, Appolinaire Niyongabo umuhuzabikorwa muri uwo mugambi hamwe na patiri Karorero Charles arongoye igisata c'Ubutungane n'amahoro ku rwego rw'igihugu, akaba ari nawe yuguruye icese iyo nama.

***Chanel HARINGANJI***

# "Ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, ni inkingi ntabanduka z'amahoro n'iterambere rirama ry'abantu" *(Ibikurikira)*

Mu kiganiro yashikirije urwaruka rwari rwahuriye muri Diyoseze ya Ruyigi, Musenyeri Simoni Ntamwana, Umukurambere, yarerekanye mu vy'ukuri ko ubuzima burondererwa mw'isangiramutima na ryo rigaca kandi ribonekera mu kurekuriranira no mu gusubiza hamwe, kuri twebwe twashamiraniye mu 2015, eka n'imbere yaho.

Ntawosiga inyuma vyongeye akamaro k'ikiyago mu buzima magiriranire. Nkako, nkuko umwanditsi Gabriel Marcel abivuga: "Sinshobora jewe ubwanje kwiyagira ngo nishikire neza, ntabanje guhuza ikiyago na mugenzanje" (Gabriel Marcel, Du refus à l'i-nvocation, p. 50).

***Ubumwe n'umuvukano w'abantu vyononekara n'ingoga***

Umuntu aravye ingene hano kw'isi abantu usanga ejo bari bashize hamwe hadaciye na kabiri bagatata bapfa ibintu bitobatandukanije: amaronko, igihagararo, ubwoko, … birerekana ko tutisunze Yezu Kristu yaje kudusasagazamwo urukundo rutagira agahemo kandi rudakumira ataho twoshika.

Musenyeri yisunze inyigisho ya Papa Francisco mw'ikete « Fratelli tutti", yaramwiganye ati: «Aya mango, biribonekeza ko isi iriko irasubira inyuma mu biraba amahoro n'umutekano. Amatati yari amaze imisi acureshe, ariko aragaruka akaze gusumba ubwambere. Mu bihugu bitari bike, iciyumviro c'uko igihugu coba kimwe rudende kikisangiza vyose, kikimenya muri vyose, kiriko kirakwega ukwiyugara kwaco, mu kinyoma co kugwanira ibicega vyose » n°11.

Abantu bibagira bartyo ko ubutungane n'amahoro bibwirizwa kuguma mu myitwarariko y'abanyagihugu bose, uko bagenda barabisikanya mu myaka no mu bihe, bagakomera mu rugamba rwo kubikomeza na ntaryo.

"Ubuzima bw'ukuri, kubaho vy'ukuri ni ukuryoherwa twese turi hamwe n'uko turiko turakorera iterambere rya zina muntu. Si umuntu umwe agiye gukorera no kuruhira we musa, ngo apfupfahaze ipfa ryiwe ryo kurya no gutunga, ariko ni twese igihugu cose kivira hasi rimwe ngo gikorere ineza y'umuntu uwo ari we wese"

Mu gusozera iyo nyigisho, Musenyeri Simoni yashikirije urwaruka, at: Burundi we, sezerana n'amajambere ayo ari yo yose, n'utemera kurekuriranira no gusubiza hamwe, ngo ubanze ukande ibikomere vyagutabaguye, bikakugira indembe.

Ivyo wubaka aya mango bisa n'imva wiyimbira (…). Ya nzu turiko turubaka, kuko yubatswe kwinshi ari imwe, naho igerageza kuduga, ejo ca gihuhusi kizoyisenyura, dusigare twipfumbereje. Muti none habuze iki ngo twubake ibikomeye kandi mu buhinga bumwe? Ni ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe twishinga gutinya.

Uko na twe tubitinya, ni ko ivyo dukora vyose bidahura, bidashobora kuguma, kuko nyene biri ku buhinga budasa. Biva ku dutima tubiri. Bigasohoka ari bibiri, canke mbere vyinshi, mu buryo rero bidashobora kwerekana bwa bukomezi Basokuru bacako umugani, bati: „Tubiri tuvurana ubupfu". L'union fait la force".

Tuzoshikira ubwo buhinga bumwe tubanje kurekuriranira no gusubiza hamwe, ata guhemana. Emwe Barasukana nureke kuturoha.

Na we Rwaruka, umugani wa ya nyomvyi: «Upfuye ukiriko », nutubahuka kurekuriranira n'ugusubiza hamwe. Ni vyo tumaze imyaka tubona.

N'uno musi uri hejuru, ntihabuze abariko barakana, abariko bacurika umutegetsi munaka, n'uwundi munaka bariko bararya ibiturire bapfumbatishijwe.

Ntihabuze abariko bararira kuko basonzanye urupapuro rw'umutsindo rwabo, aho barubitse mw'ikoma ry'akaruri bararamwo. Ntihabuze abariko barakanira Uburundi, ngo babusenyurire intwaro, kuko nyene bari mu gahinda, kandi ari abana bo mu nzu.

« Kuva kera hose, turabona ingene tuguma twonona ingiro n'ingendo mu ntwaro, mu kuringaniza ivyo twobwirijwe 20 gusangira, tugashinyaguriza Imana n'ishaka ryayo, tugatitura inyifato runtu, ugushingira intahe ubutungane n'ubushingantahe, ukwihebera ikinyoma » (Turavukana twese, n° 113).

Kubera ivyo vyose biduhanamiye, Mana yacu, dutabaze Mutima wawe w'urukundo, tuzane umuti nyawo wodukiza ayo mabi ari mu nzira, ejo dushobore gushika iwawe tukwereka ingene italenta watubikije twayungukiye mw'izina ryawe na irya benewacu.

Imana nidutenyenyere, idufashe « tugaruke ku gatima kitwararika icarimwe ineza yacu na iy'abantu bose, gurtyo tuzoshobora gutora agahengwe, dukorere vy'ukuri hamwe, duheze tuze turire ku nkoko imwe, dushobore gushikira igikuriro c'ukuri kandi kitumerera neza twese » (Turavukana twese, n°113).

*Patiri Léonidas Ntakarutimana*
*Diyoseze Ruyigi*

# Isangiramutima niryo ryugurura inzira y'abasangiye ibanga, bakaroranirwa hagati yabo *(Ibikurikira)*


Foto: Chanel HARINGANJI

*Musenyeri Simoni Ntamwana yahoze arongoye diyoseze nkuru ya Gitega, ariko arashikiriza inyigisho abari baserukiye ishirahamwe Mukama Menyekana*

Nimuze twiyubahuke dufatire ku karorero ka twebwe Abarundi n'Abarundikazi. Iki gihugu cacu gitunzwe urutoke na benshi, bikugura ingene twananiwe no kwiteza imbere.

Nta yindi mvo jewe mbona iza ubwa mbere, atari indyane mu bantu, amatati y'amoko akaba ari yo aza imbere ya vyose.

Twagumye dusanzaye.
Twagumye turi abakeba.
Twagumye turabana ku kajisho, ngo ntihagire uwurya, abandi bitunye.
Twagumye tugwanira mu muzingo, ntivyakunda ko dusangira mu kuri no mu rukundo.

None ga bavukanyi twotera imbere dute, kandi turi ku kindi gikorwa, mbere kigayitse, ugucuranwa, gushika n'aho twicana?

Twese dushatse kuba ba „mpemayuzuye", mushaka ko dutekana dute, ko twiyumvirana mu majambere dute?

Mushaka ko buno Burundi buheza bugaserukana igihagararo bute, nibwaba buriko buratabagurwa na bene bwo!

Na uno musi, iryo shano ntiturariruka: ni co gituma tunanirwa n'iterambere riterura bose icarimwe, kuko nyene turi aba mugabo umwe.

Uko kubura isangiramutima ryohuza abana b'Uburundi bose ni yo ntambamyi ituzitiye kuruta n'ibindi vyose bidutangira muri ayo majambere.

Umwanditsi w'Igitabu c'Imigani ati: «Itunga rizanywe n'akarimi k'ububeshi ni nk'impemu zisohowe n'abarondera urupfu" (Imigani 21, 6). Ripfana na bo.

Urwo ni rwo twapfuye muri buno Burundi bwacu, kuwa umusi twikukira. Umwe wese abwira mugenziwe ati: twatanzwe.

Ariko naho akora ibingana bite, aruhira guhomba, kuko ivyo dukora bitagiramwo urukundo, bikabura rya sangiramutima ribumbira hamwe abafatanije urugendo.

Na twe bavukanyi, tukaramuka dushaka gukomeza iri shirahamwe ry'abakunzi ba Yezu, yikozeko ngo bamumenyeshe, «abana ba Mukama menyekana", nitwihatire isangiramutima rinoboye, rirtyorowe na Kristu, muvukanyi wacu na imfura yacu.

Iryo sangiramutima ryacu rifatanye na Kristu, rikomoka kuri we kandi rimurikiwe na we, rirashobora kudukuza, kudufasha mu butumwa bwacu, rikongera rikabera neza Ekleziya, kuko tuzoba turiko turarangura ico Umukama ashaka na none: «Bose nibabe umwe, nkuko wewe Dawe uri muri jewe na



nje nkaba muri wewe» (Yohani 17, 21).

Iyi nzira ntiyigera izimiza. Iri kumwe na Yezu nyene, ari we yatwibwiriye ati: „Jewe ndi inzira" (Yohani 14, 6). Yezu ari we abaye umutware wacu, ntakabuza, tuzoshobora kurangura ico yatumye bamwe Cumi n'Umwe, wa musi yabasezera, ababwira ati: „Gende mwigishe abantu bo mu makungu yose, mubagire abigishwa banje" (Matayo 28, 19). Yarabaremesheje, mu kubemerera ico batari biteze namba, ati: „Na nje ndi kumwe na mwe imisi yose gushika ku muhero w'isi"(Matayo 28, 20).

Naho mwoshobora gufatira ku buhinga n'ingabirano umwe wese afise, ndabahanuye gu-fatira kuri Yezu we nyene ubwiwe, ko mushaka kumenyesha Kristu Nkuru Nziza ya Data. Nimwishikane kuri Yezu uko bukeye ukwo bwije. Nimumuhereze ubuzima bwanyu bwose, azoheza abashikane kw'isemo ihimbaye y'ubutumwa mwakiriye.

Aho abantu benshi bahombera, ni uguhusha Kristu, bakizigira gusumba ingabirano baba bafise, ariko bibagiye ko nyene kuzibaha akiri kumwe na bo, kandi akaba ari we ashobora kuziteza imbere mu buryo bushimishije.

*Biracaza*

**Chanel HARINGANJI**

# Umurwi CVR watanguye intambwe nshasha yo kumenya abantu bagandaguwe kuva mu 1972

Umurwi ujejwe gutohoza ukuri no kurekurekuriranira mu Burundi, CVR, waraye utanguje ku mugaragaro intambwe nshasha yo kugira amatohoza yimbitse ku bantu bose bishwe mu magume yo mu 1972.

Mu kiganiro Petero Claver Ndayicariye yahaye abamenyeshamakuru, avuga ko iyo ntambwe ikomeye cane inyuma y'ibindi bikorwa vyinshi umurwi warumaze gukora.

Umukuru wa CVR ati: «Twinjiye mu kiringo gikomeye aho tuzomenya neza ata kwihenda igitigiri c'abantu bapfuye mbere tumenye n'amazina yabo.»

Muri ico gikorwa, ngo hakozokora ubuhinga butuma atamuntu n'umwe yahitanywe n'ubwicanyi bwo mu 1972 n'inyuma yaho azosigara atamenyekanye.

*Ivyo bizoshoboka bite?*

Nk'uko Petero Claver yabivuze, ngo umurwi CVR uriteguriye kwishikira ku rubuga, aho uzokwira mu makomine yose agize intara zitandatu z'ibanze muri ico gikorwa. Claver ati : «Tuzohasanga abakozi bo muri komine hamwe n'abazoba batowe ku mitumba bagizwe n' abarongoye intwaro ku mitumba hamwe n'abenegihugu baho».

Claver Ndayicariye amenyesha ko ivyo bikorwa bizokorwa mu kiringo c'indwi zibiri gusa kandi ko ico kiringo kizohera hazwi neza abagandaguwe abaribo, amazina yabo, hongere hatangwe n'insiguro iherekeza abo bantu hamwe hamwe hose bivanye n'ico rusansuma izoba yatanze.

Kubw'uwo muhinga akaba n'umukuru wa CVR, iyo nsiguro ngo ni igikorwa c'ubuhinga kizoha umuco abarundi n'amakungu ku mirwi itandukanye y'abantu bagandaguwe.



Atanga akarorero nk'aho bosanga benshi mu bishwe bari abasirikare canke abari mu nzego zo gucungera umutekano, ati «ntibiheza ngo bise n'ahandi twosanga hishwe abarimyi, ba nyarucari.»

Arongera ati: «Imirwi y'abantu ishobora kuba myinshi bivanye n'akarere kanaka, bigatuma insiguro zita-ndukana».

Abamenyeshamakuru barabajije ibibazo bijanye n'inyifato y'abarundi yo kunyegeza ukuri canke kutugurukira umurwi mu kuwubwiza ukuri kuvyabaye, gurtyo ikaba intambamyi kwiranguka neza ry'iyo ntambwe nshasha mu bikorwa vya CVR.

Ndayicariye arongoye CVR yarahumurije abibaza ko uwo murwi utazohavura uronka amakuru yukuri kuri iyo rusansuma. Ati: «Ahari hagoye kwari ukumenya ahantu hahambwe abantu mu binogo rusangi kuko ico cari mu bikorwa vya mbere vya CVR.

Ivyo vyatumye abantu batinya kwugurukira umurwi, ariko buke buke baratahuye ko ubutumwa bwa CVR ari uburonderera ineza igihugu. Aho tumaze gukora uru rusansuma mu bikorwa vy'ibanze, abantu baho baradushimiye cane, bati ubu rero tugiye twamenya ko mushaka kumenya ukuri mudahengamye.»

Izo nyishu zishimangirwa n'uburyo ico gikorwa gitunganijwemwo: Intonde zabagandaguwe zizokorerwa ku mutumba, zikorwe na bene uwo mutumba nyene. Claver ati: «N'uwuzoba yishwe akiri muto, ntihazobura abazomenya bati no kwa hari akana kahasize ubuzima».

Ico gikorwa ngo kirahambaye cane kuko kizokwerekana ukuri kutavuzwe muri vya bikorwa umurwi ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira CVR umazemwo igihe kitari gito. «Ico gikorwa kizoza guha insiguro ukuri kwo mu binogo rusangi kuko tumaze kuzunguruka igihugu cose niho tuzoca tumenya neza na neza abantu twabuze abaribo n'igitigiri cabo kuko imyidondoro izoba yavuye kwa beneyo».

Tubamenyeshe ko ibizoba vyavuye muri ico gikorwa bizobanza bikamanikwa ku mirwa mikuru y'amakomine ku ntambwe ya mbere, hanyuma abenegihugu bagahamagarirwa kuza gusoma barabeko atawe bibagiye canke atawe bashize ku rutonde atarimwo.

Mu nyuma, hazosohorwa urutonde rwa nyuma, hamaze gukosorwa udukosa twose twokwibonekeza muntonde za mbere.

**Mélance NDAYIKEZE**

# Mbega amagara yo mu mutwe arabaho?

***Amagara meza yo mu mutwe ni ukuvuga iki ?***

Nk'uko bivugwa na muganga Ihorimbere Lydie Raïssa, amagara meza



Foto: Chanel HARINGANJI

yo mu mutwe ni ukumererwa neza kw'umuntu bituma ashobora kwitunganya, agahangana n'ingorane zo mu buzima bwa minsi yose, akagira ico yimariye, ico amariye umuryango n'ikibano.

Amagara yo mu mutwe ni karahara mu ruganda ntibacura bisigura ko ata magara meza yo mu mutwe, ubuzima ntibushoboka kuko umuntu ntashobora kwiteza imbere.

Iyo amagara yo mu mutwe yahungabanye, umuntu aratakaza ubushobozi bwo kwiyumvira neza, inyifato yiwe igahinduka, imigenderanire yiwe n'abandi mu kibano igatosekara.

***Indwara zo mu mutwe***

Indwara zo mu mutwe ni izo ndwara zose ziza zihungabanya umuntu mu vyiyumviro, mu mvugo, mu nyifato no mu bikorwa.

Birashobora gushika aho umuntu ataba agishobora gukora imirimo yiwe ya minsi yose ndetse ntabe agishobora kubana neza n'abandi.

***Ihahamuka.***

Ihahamuka ni indwara yo mu mutwe canke ihungabana ry'amagara yo mu mutwe iterwa n'ikintu kiremereye kigushikiye giturumbuka canke cisubiriza bigatuma ubwenge n'ububasha vy'umuntu birengerwa, umuntu agahinduka mu nyifato n'imibereho, mu vyiyumviro no mu mico yiwe.

***Akamaro k'amagara meza yo mu mutwe***

Amagara yo mu mutwe ni kimwe mubigize ubuzima bwa kiremwa muntu.

Amagara yo mu mutwe ameze neza atuma umuntu aroranirwa mu buzima bwiwe bwa minsi yose.

Amagara meza yo mu mutwe ni yo atuma umuntu ashobora kubaho neza mu kwiteza imbere, akitunganya, akitunganyiriza ivy'iwe, agashobora guhangana n'ingorane zo mu buzima, agakora ibikorwa bimuteza imbere kandi biteza imbere n'ikibano. Atuma umuntu atanga intererano kugira n'ikibano kigire ubuzima hakabaho n'imigenderanire myiza mu kibano.

Muri ico gihe, biragaragara ko amagara meza yo mu mutwe ari ryo shingiro ry'urutare rw'ubuzima bwiza bw'umuntu n'imigenderanire yiwe n'ababanyi muri rusangi.

Ni co gituma, guteza imbere amagara yo mu mutwe, gukingira abarwaye indwara zo mu mutwe hamwe no kubavura bitegerezwa kuba ntabanduka haba ku bantu, mu mirwi y'abantu ndetse no mu bihugu vyose.

Iyo abenegihugu batagira amagara meza, ntibashobora kwiteza imbere be no guteza imbere igihugu. Bituma imiryango isohora amahera menshi kugira bavuze abarwayi, kandi n'igihugu kikahahombera mu kugura imiti, mu gihe abarwayi nabo badashobora gukora kugira bibesheho bongere baterere no mw'iterambere ry'igihugu.

Amagara meza yo mu mutwe afatiye ku buzima bwiza bw'umuntu, akumva amerewe neza muri we, agafatira kandi no ku nyifato nziza umuntu agira, akabaho yihangana kandi agashobora guhangana n'ugutorera inyishu ingorane bahura mu ubuzima bwa minsi yose.

Umuntu araheza agakora ibikorwa bimuteza imbere mu muryango wiwe, mbere bikanateza imbere n'ikibano.

Kuba umuntu afise amagara meza yo mu mutwe, ntibisigura gusa ko umuntu aba adafise indwara yo mu mutwe canke atagwaye, ni ukubaho neza, wumva utekaniwe, ufitaniye imigenderanire myiza n'abanda.

***Ni ryari twotangura kugira amakenga ko amagara yo mu mutwe yahungabanye?***

Umuntu twovuga ko amagara yiwe yo mu mutwe yahungabanye mu gihe yatanguye guhinduka mu nyifato, mu mvugo, mu vyiyumviro no mu migenderanire yari asanzwe afitaniye n'abandi no mu gihe atagishobora gukora ibikorwa vyiwe nkukoyahora.

Bavuga ko umuntu afise indwara yo mu mutwe bafatiye ku gihe aba amaranye ibimenyetso vyerekana ihungabana canke turavye ingene ibimenyetso bigenda vyiyongera mu gukara dufatiye ku mwanya.

Akarorero:
Kugira twibaze ko umuntu afise indwara y'akabonge, ibimenyetso aba abimaranye ikiringo kingana canke kirenga amayinga abiri (2).

Muri ico gihe haba hakenewe icokorwa kugirango amagara yo mu mutwe y'uwo muntu asubire kumera neza.

Akarorero :
Nko mu gihe umurwayi yahevye akazi kiwe ka misi yose, mu gihe yahevye kuba agitaha mu muryango wiwe nk'uko yahora, mu gihe ata kintu na kimwe co mu kibano yitaho ariko kare yahora avyitaho, agatangura kwigunga...... muri ico gihe aba akeneye ubufasha.

Biracaza
**Chanel HARINGANJI**

# Abihebeyimana mu rugamba rwo kuremesha amahoro.

Kuva ku wa 20 gushika ku wa 25 Gitugutu 2024, ku musozi wa Siyoni i Gikungu; Urunani rw'-Abihebeyimana b'abakenyezi mu Burundi (USUMA) bafashwe mu mugongo n'Ishirahamwe « Pax Christi International » ryari ryaserukiwe n'umushingantahe Dieudonné Serukabuza ajejwe ibikorwa vy'iryo shirahamwe ku mugabane wa Afrika; baratunganije ivyirwa bijanye no kwirinda gukoresha ingimba mu kurondera amahoro; gukinga no gutorera inyishu amatati bidaciye mu ndwano; ukwirinda guhohotera abandi no gufasha abahohotewe ku mpande zose; kumenya kuganira udakoresheje imvugo ikomeretsa n'ingene umuntu yoba imboneza y'abandi.

Ivyo vyigwa vyari vyitabwe n'abihebeyimana 15 bavuye mu miryango itandukanye irangurira ubutumwa muri Ekleziya y'Uburundi, mu ntumbero yo kuvyiga ngo nabo baze bavyigishe abandi kugira batsimbataze amahoro mu mitima yabo n'iya benewabo.

Icigwa kijanye no kwirinda gukoresha ingimba mu kurondera no gutsimbataza amahoro cashikirijwe n'Umushingantahe Dieudonné Serukabuza.

Hambavu y'abantu baharaniye gutsimbataza amahoro bidaciye ku nguvu, uwuduha akarorero gusumba abandi ni Yezu Kristu.

Ekleziya Katolika ikaba ifise uruhara runini muri ico gikorwa. Ubwo buryo rero busaba ko buba ubuzima bw'uwuharanira amahoro, umutima, inguvu n'inguvu z'umutima. Ni naco civugo cabwo.

Uwo mushingantahe nyene, niwe yashikirije kandi icirwa kijanye no gukinga no gutorera inyishu amatati bidaciye mu ndwano. Ico cirwa kirafasha gutegera ko mu kibano c'abantu amatati arabaho.

Igihambaye ni ukumenya ingene atorerwa umuti bidaciye mu ndwano. Ivyo navyo bikaba bikunda biciye mu biganiro, ukurondera umuhuza afasha kumvikanisha ababa bari mu matati.

Icigwa kijanye no kwirinda guhohotera abandi no gufasha abahohotewe, cashikirijwe n'umubikira Angèle Gapio. Ati: «Mu bihugu birimwo indwano kenshi usanga abantu bahohoterwa. Yashimikiye canecane kwihohoterwa ry'abakenyezi kuko kenshi aribo bagwa mu mporero.

Yarasavye ko ababa bahohotewe muri ubwo buryo, icihuta ari ukubajana kwa muganga kugira babakingire indwara zandukira biciye mu bihimba vyirondoka.

Ica kabiri ni ukubumviriza kugira babakingire ihahamuka, no kubafasha kwiyakira no kwakirwa mu kibano.

Icigwa kijanye no kumenya kuganira udakoresheje imvugo ikomeretsa naco catanzwe



n'Umushingantahe Pascal Mugaruka.

Yisunze ivyirwa vy'umuhinga ku bijanye n'imvugo umushingantahe Marshall ROSENBERG, yafatiye ku rugero rw'ibikoko bibiri «Chacal» n'ikindi citwa «Girafe». Kamere y'ivyo bikoko ikaba ariyo yerekana uburyo bubiri abantu bashobora kuvugana.

• Imvugo ica imanza, imvugo itandukanya abantu ikabambika ibara. Imvugo itanga amategeko, imvugo idashira imbere ishaka ry'uwundi, imvugo ikumira; iyo mvugo igereranwa nico gikoko ca mbere «Chacal».

• Imvugo iciye bugufi, idategeka, igaragaza ugutegera uwundi bivuye ku mutima. Iyo mvugo igereranwa nigikoko ca kabiri « Girafe».

Uko kuganira rero gukoresha imvugo idakomeretsa a-bandi irasaba no kumviriza abandi n'umutima w'impuhwe.

Icirwa kijanye n'ukuba umuntu w'imboneza; afatiye akarorero ku bantu babaye imboneza mu gukura mu buja abandi, yarerekanye ikiranga mwenuwo muntu: ukugira imbono ukayisangiza abandi, kuboneshereza abandi, gufasha abandi gushikira ubwigenge no kuyobora impinduka nziza.

Izo nyigisho zarangijwe n'inkuka y'imisa yo gukenguruka, aho muri iyo misa abakurikiranye izo nyigisho bashikirije igisabisho co kwemera ko bagiye kuba abaremesha amahoro no kubifashisha abandi.

Inyuma y'iyo nkuka, abakurikiranye izo nyigisho bararonkejwe urupapuro rwemeza ko ivyo vyirwa babirangije.

Barushikirizwa n'uwaserukiye « Pax Christi International» hamwe na Mama Marie Christiane Twagirayezu, Mwene Tereziya arongoye Urunani rw'Abihebeyimana b'abakenyezi mu Burundi.

Aboneraho no gukengurukira Pax Christi International hamwe n'abitavye izo nyigisho.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*

# Ingene amategeko yubahiriza uburenganzira bw'abagendana ubumuga

Abantu bose imbere y'amategeko,bafise uburenganzira bungana, kandi bategerezwa kwubahirizwa co kimwe mu budasa canke mu butandukane bwabo, bwaba ubufatiye ku, ubwoko, urukoba, u-rurimi, imyaka, idini, urugero rw'ubumuga n'ibindi, eka ndetse no ku bantu bagendana ubuga.

Tuza gushimikira kw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'abagendana ubumuga.

Tuza kubayagira cane cane ivyerekeye uburenganzira bwo kubaho, gukingirwa, kudakumirwa, kuronswa inyigisho hamwe no kuronswa akazi.

Ubu burenganzira rero tubadondaguriye, yaba amategeko mpuzamakungu canke amategeko twisunga ngaha iwacu mu Burundi, arabwubahiriza ku bantu bagendana ubumuga ku rugero rumwe no kubatabugendana.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bw'abagendana ubumuga**

Amategeko mpuzamakungu atandukanye, arubahiriza uburenganzira butandukanye bw'abagendana ubumuga.

Muri ayo mategeko, twovuga nk'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano yubahiriza agateka k'abana, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no muri politike, amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yerekeye abagendana ubumuga.

***1° Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo bwo kubaho***

Ingingo ya 3 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, bwo kwishira akizana no gukingirwa mu buzima bwiwe. Ivyo rero vyerekeye zina kiremwa muntu wese ata n'umwe akumiriwe.

***2° Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo bwo gukingirwa***

Ingingo ya 5 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye abagendana ubumuga ivuga ko, abantu bose bangana imbere y'amategeko, kandi bagategerezwa gukingirwa co kimwe ata gucagura na kumwe cane cane gufatiye ku bumuga.

***3° Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo bwo kudakumirwa***

Ingingo ya 10 yayo masezerano, ivuga ko ubuzima bw'umuntu ari ntangere kandi ko ari uburenganzira buranga zina kiremwa muntu wese.

Ibihugu rero vyashize umukono kuri aya masezerano, vyiyemeza gufata ingingo zose zikenewe kugira abagendana ubumuga ntibakumirwe.

***4° Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo bwo kuronswa akazi***

Ingingo ya 27 nayo ivuga ko abagendana ubumuga bafise uburenganzira bwo kuronswa akazi bitoreye bonyene, canke biciye mw'ihiganwa co kimwe n'abandi, gurtyo nabo bagashobora kwibeshaho.

Ibihugu bisabwa kworohereza abagendandana ubumuga hatibagiwe n'abagize impanuka bari mu kazi kabo.

***5° Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo bwo kuronswa inyigisho***

Ingingo ya 23 y'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana ivuga ko umwana agendana ubumuga afise uburenganzira bwo kuronswa ibikenewe vyose kubijanye n'indero n'inyigisho zibereye kugira ngo ashobore kugira ubuzima bubereye, mu gateka kiwe kandi ashobore kwifasha n'ukubaho neza nk'abandi.

Abana bagendana ubumuga bategerezwa kugira ubuzima bubereye ku rugero rwo kwubahiriza agateka kabo, bujanye n'ukwishira n'ukwizana kwabo kandi bagashobora kugira na bo umuganda baterereye mu buzima bw'igihugu.

Ingingo y'7 y'ayo masezerano yerekeye uburenganzira bw'abana na yo ivuga ko, ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano, bitegerezwa gufata ingingo zose zishoboka kugira ngo abana bagendana ubumuga baronke ivyo abandi bana bose barekuriwe, kandi bikabikora bishira imbere ineza y'umwana.

Ubu burenganzira bw'abagendana ubumuga duhejeje kudondagura bw'ubahirijwe mu mategeko mpuzamakungu atandukanye, no ngaha iwacu mu Burundi burubahirijwe mu mategeko atandukanye.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi yubahiriza uburenganzira bw'abagendana ubumuga.**

***2.1 Mw'ibwirizwa Shingiro***

*2.1.1 Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo bwo kubaho*

Ingingo ya 24 y'ibwirizwa shingiro ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho.

Ubwo burenganzira buranga abenegihugu bose ata gucagura na kumwe. Bisigura ko ubu burenganzira butegerezwa kwubahirizwa no ku bagendana ubumuga.

*2.1.2 Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira*

Ibikur. urup. 11

# Ingene amategeko yubahiriza uburenganzira bw'abagendana ubumuga

(Bitangurira ku rup.10)

*bwabo bwo gukingirwa*

Ingingo ya 22 y'iryo bwirizwa Shingiro nyene ivuga ko, abenegihugu bose bangana imbere y'amategeko kandi akabakingira co kimwe.

Nta muntu n'umwe ashobora gukumirwa kubera amamuko, ubwoko, imyaka, ibara ry'urukoba, igitsina, idini canke ivyiyumviro vyiwe ku vyerekeye ubuzima, intwaro y'igihugu, kubera ubumuga canke iyindi ngwara iyo ariyo yose idakira.

*2.1.3 Ku vyerekeye kwubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo bwo guhabwa inyigisho*

Ingingo ya 53 ivuga ko, umwenegihugu wese afise uburenganzira bungana n'ubw'abandi bwo guhabwa inyigisho, indero no kubaho yisunze imico kama n'akaranga vy'igihugu ciwe.

Iyi ngingo iratwumvisha ko abagendana ubumuga badakumiriwe na bo nyene barimwo.

***2.2 Mw'itegeko n°1/03 ryo kuwa 10 nzero 2018 ryerekeye gukingira no gutezimbere abagendana ubumuga***

*2.2.1 Kuvyerekeye gukingira abagendana u-bumuga*

Ingingo y'7 ivuga ko Reta itegerezwa gukingira abagendana ubumuga ivyo vyose vyoza bibangamira amagara yabo, igashiraho n'umurwi w'abahinga bajejwe kuraba ko batekaniwe mu kibano.

*2.2.2 Kuvyerekeye kuronswa inyigisho*

Ingingo ya 30 ivuga ko uwugendana ubumuga afise uburenganzira bungana n'uwutagendana ubumuga, mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bwabo bwo kuronswa inyigisho, hatarabwe igitsina canke urugero rw'ubumuga afise.

Ikindi tutokwibagira, ni uko hariho n'ibindi bigo bitandukanye vy'abikorera ivyabo, bisanzwe bifasha abagendana ubumuga butandukanye, mu kubaha inyigisho canke mu kubabungabungira ubuzima.

Aha twovuga nk'ikigo citiriwe umweranda Kizito, ikigo akamuri, ikigo efata gifasha abaragi, ikigo kivura abagendana ubumuga bwo mu mutwe hamwe n'ibindi.

***2.3 Itegeko nomero 100/110 ryo ku wa 9 kigarama 1986 rishiraho ikigo kivura abagendana ubumuga (CNAR)***

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bw'abagendana ubumuga bwo kubungabungirwa amagara, Uburundi bwarashizeho ikigo CNAR gikorera mu ntara ya Gitega, kikaba gikukira Ubushikiranganji bwo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

Gifashijwe n'abahinga babinonosoye, ico kigo kiragerageza kugorora abafise ubumuga bw'amaguru, amaboko canke ibindi bihimba vy'umubiri, kikabaronsa ibirato, amakinga canke ibindi bikoresho bibafasha gutambuka.

***2.3 Itegeko nomero 100/31 ryo ku wa 25 rusama 1982 rishiraho ikigo kijejwe kwigisha imyuga abagendana ubumuga (CNRSP)***

Ico kigo cashizweho mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bw'abagendana ubumuga bwo kuronswa inyigisho, cane cane inyigisho z'imyuga.

Gikorera mu gisagara ca Bujumbura, naco nyene gikukira Ubushikiranganji bwo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira, kikaba giha inyigisho abagendana ubumuga cane cane inyigisho z'imyuga.

***2.4 Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.***

Iki gitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi, naco nyene kirafise ingingo zubahiriza abagendana ubumuga mu burenganzira bwabo butandukanye.

Muri co, hariho ingingo zitegekanijwe zihana uwo wese atubahirije uburenganzira bw'abagendana ubumuga.

Si ivyo gusa, bifatwa ko ari inyongerezakibi kuri uwo wese ahohoteye uwugendana ubumuga.

Aha twovuga nk'ingi-ngo ya 208 ivuga ko uwo wese yagiriwe n'ugusinzikariza ubuzima umuntu w'imfatwahato kubera imyaka yiwe, amagara yiwe, ko yibungenze canke agendana ubumuga bwo mu mutwe canke k'umubiri ahanishwa umunyororo ungana n'imyaka mirongo ibiri.

Ingingo ya 579 nayo ivuga ko ahanishwa umunyororo uva ku myaka cumi n'itanu gushika kuri mirongo ibiri n'itanu, uwo wese yagiriwe n'icaha co gushurashuza ku nguvu umuntu agendana ubumuga bwo mu mutwe canke bwo ku mubiri.

Mu gusozera, twomenya ko abagendana ubumuga ari abantu nk'abandi, kandi ko bategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira butandukanye bwabo.

Ni co gituma, yaba amategeko mpuzamakungu canke amategeko akoreshwa mu gihugu kimwe kimwe ukwaco, ategerezwa kububahiriza co kimwe n'abatagendana ubumuga.

Ikindi na co nuko, uwuhohoteye uwugendana ubumuga, bifatwa ko ari inyongereza kibi, kandi arahanwa hisunzwe amategeko.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ihimbazwa ry'Umweranda Karoli Boromé muri Les Presses Lavigerie

kw'igenekerezo rya 9 Munyonyo 2024, mu kigo c'Iyandikiro ry'ibitabu c'Inama y'Abepiskopi Gatolika y'i Burundi, Les Presses Lavigerie kari akanyamuneza kadasanzwe aho abahakorera n'abatumire bahimbaza Karoli Borome Mweranda, umuvunyi w'ico kigo.

Ibirori vy'uwo musi Mukuri vyatangujwe n'Inkuka ya Misa yaherejwe na Nyakubahwa Patiri Kirisiyano Nzinahora, Umunyamabanga mukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika y'i Burundi kw'izina rya Nyenicubahiro Gerevazi Banshimiyubusa, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura.

Mu nyigisho yatanze, yishimikije ibisomwa vyeranda vyari vyasomwe, yashimikiye ku bintu bibiri biranga umwungere mwiza : kwigura intama ziwe no kumenya intama yaragijwe.

Yarashimikiye kandi ku buzima bwa Karoli Borome Mweranda, arababwira abari aho ubwira n'umwete yagize mu kwitwararika idiyoseze yiwe ya Milano no ku mpanuro yaha abapatiri biwe.

Yaripfurije kandi abakora muri Les Presses Lavigerie, ahereye ku muyobozi w'ico Kigo, umutima wo gutahurana no gufatana mu nda kuko ari wo mutima waranze Karori Borome Mweranda.

Inkuka ya Misa irangiye, baciye bakoranira ha-mwe barasangira inzimano z'uyu musi mukuru.

Mw'ijambo ryiwe, Umuyobozi w'ikigo Les Presses Lavigerie Karoli Borome Mweranda yaragijwe, Patiri Dezire Niyibizi yaramenyesha abari aho ko ico kigo gifise ubutumwa bwo « kumenyesha Inkuru Nziza kibicishije mu bitabu no mu nyandiko ». Aranabamenyeshako mu vyo bakora bagerageza kuvyitwararika bashakako Kristu abandanya ame-



nyekana.

Yagiriyeko abibutsa bimwe biwe mu bihakorerwa ari vyo vy'ibi: kwandika ibitabu kandi neza uku uwubituye avyipfuza, gusanura ibitabu bigasubika kuba bishasha; gusohora ivyanditse canke kubibateraniriza kandi ku mwanya mutoyi ; gushona ibitabu kugira ngo bikomere cane ; guhinyanyura no guhingura neza amafoto ku buryo bugezweho.

Muri Les Presses Lavigerie harakorerwa kandi ibidodo ku buryo bugezweho kandi ku mwanya muto cane; barakora amakarata y'ubutumire ku manza zinyuranye nk'amakarata y'imanza z'ugukwa, iz'ubugeni, iz'impapuro z'imitsindo, z'abasoma ibitabu mu gihe barangize amashure, ku masabukuru y'amavuko, kw'Ibatisimu y'abana canke ku yandi masakaramentu,iz'ukumenyesha urupfu, guca ku mazi no kuganduka; amakarata yo kumenyesha ico umuntu ari mu bikorwa vyiwe vya misi yose n'aho akorera (cartes de visite), ayo kumenyesha ibintu n'ahantu (publicité). Muri Les Presses Lavigerie harakorerwa kandi ibitabu vy'inzahabu (livres d'or).



*Patiri Christian Nzinahora, umunyamabanga mukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika y'i Burundi*

Ku bari mu maparuwase, muri Les Presses Lavigerie, harakorerwa amakarata y'Ibatisimu, ibitabu binini cane (Registres) bandikamwo ababatizwa, abakome-zwa, abagira ubugeni abapfuye, n'izindi mpapuro zikenerwa mu biro vya Paruwase; harakorerwa ibirangamisi (calendriers) n'ibindi.

Hariho kandi n'amazu y'amanama.

Abagiye barafata amajambo, uwuserukira abakozi n'abatumire, barakengurutse ibikorwa birangurirwa muri Les Presses nukuntu Umusi mukuru w'Umuvunyi wari uteguwe neza.

Mw'ijambo rya Patiri Umunyamabanga w'Inama y'Abepiskopi Gatolika y'i Burundi na we nyene yarakengurukiye cane abakorera muri Les Presses Lavigerie ku bwira n'umwete bakorana, aranamenyesha abari aho ko ico kigo gifitiye akamaro abantu bose, abo muri E-kleziya Gatolika n'abataribo, Abarundi n'abanyamahanga.

Yarakengurutseko ico ki-go kiguma gitera imbere kuko habonetse ikibanza basengeramwo n'aho bivunira umusase atari uko vyahora bimeze. Umusi Mukuru warangiye mu kanyamuneza kamuje.

**NIYINGUMIJE Nestor Jonathan**

***Umukozi wa Les Presses Lavigerie***